Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°839 15 Rusama 2025

# Itorwa ry'Umusubirizi wa Petero, «Papa Leon wa 14»



***Ekleziya yaraye igabanye umu Papa agira 267 kw'izina rya Lewo wa XIV.***

Kuwa 7 Rusama 2025, i Roma abakaradinali 133 batarenza imyaka 80 niho batangura inama yo gutora umu Papa akorere mu ngata Papa Fransisiko yari aherutse kwitaba Imana ku wa 21 Ndamukiza 2025 afise imyaka 88. Iyo nama yuguruwe n'inkuka ya misa yabereye mw'isengero nkuru y'i Roma yi-

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060

1. Umusi mukuru w'Abakozi n'akazi tuwuhimbaza twisunze ca civugo c'umwaka tuvuga tuti: «Muri uyu mwaka w'umunyamwete, Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere ».

Ico civugo cunganirwa n'icivugo ca kuno kwezi kwa rusama, naco kikaba kivuga kiti: « Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 ».

Barundi, Barundikazi, Bakozi, Bakoresha,

2. Iyo tuvuze kugwiza umwimbu, ni ukuvuga ko umuntu wese ategerezwa kurema itunga rishasha uko bukeye uko bwije.

Muca mwumva rero ko uyu mwaka ari umwaka wo kwigiza kure ico cose cosamaza umuntu, bigatuma asubira inyuma mu bijanye n'ubutunzi, canke akaguma hahandi.

Dushaka ko Umurundi wese yikubita agashi akaba umunyamwete kugira ashike kuri rya hangiro ry'umurundi wese : Kugira umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi.

Turipfuza ko uyu mwaka wohera ata muntu agiteze amaboko.

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Tumenye ivyo twemera, tubigendere kandi bidukomereze ukwemera....4
o Uruhara rw'umukristu w'umukatolika mu buzima bwa politike no mu bihe vy'amatora....8
o Umugwi CVR ntuzoca imanza ariko uzokwumvikanisha....9
o Ingene uburenganzira bwo kuronswa inyigisho butegekanijwe....10

# Idominika ya 5 Pasika: *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** *Ibik.Vy'abat.: 14,21-27.*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa:

(*Urugendo rwo gutwara inkuru Nziza)*

Paulo na Barnaba barasubira i Listre, muri Ikoniya no muri Antiyokiya; barakomeza imitima y'abigishwa, babahaunura kugumya ukwemera kwabo, babagabisha ko bazobona ibibagora vyinshi umwanya batarashikira Ubwami bw'Imana.

Babanje gusenga n'ukwibabaza bisonzesha, batora abakuru mw'Ekleziya imw'imwe, hanyuma bahereza Umukama ba bantu bari bamwizeye. Hanyuma baca muri Pisidiya, bashika i Pamfiliya, bamenyesha Ijambo ry'Imana i Perje, baca bamanuka muri Ataliya.

Hanyuma bafata ubwato bubajana i Abtiyokiya yo mu Busiriya, iyo bari baje bava, bizigiye inema y'Imana mu gikorwa bari bahejeje kurangura. Bashitse, bakoranya Ekleziya babiganira ivyiza Imana yabagiriye n'ingene yugururiye abapagani irembo ry'ukwemera.

**Igisomwa ca kabiri:** *Ivyahishuriwe Yohani: 21, 1-5*

(*Umwagazi n'umuco w'igihugu c'Imana*)

Jewe Yohani mbona ijuru rishasha n'isi nshasha, kandi ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyari vyagiye, kandi ikiyaga nticari kikiriho. Mbona kandi igisagara ceranda, Yeruzalemu nshasha, ndakibona kiriko kirururuka kiva mw'ijuru ku Mana; cari citoye nk'umugeni yiteguriye umunega wiwe. Numva ijwi rirenga rivuye ku ntebe y'Imana, rivuga riti: "Ng'iyi ingoro y'Imana iri mu bantu, izobana nabo, babe igisata cayo, nayo Imana ibe hamwe nabo. izohanagura amosozi yose ku maso yabo kandi urupfu ntiruzoba rukiriho: nta maruru, nta maborogo, nta magorwa azoba akiriho, kuko ivya mbere bizoba vyashize." Haunyuma uwuvyagiye ku ntebe aravuga ati: "Raba, vyose ndabigize bishasha."

## Inkuru nziza: *Yohani* 13,31-35

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Uwunkunda azozigama ijambo ryanje, na Data azomukunda, duheze tuze iwe."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza yanditse Yohani :

(*Ibwirizwa rishasha*)



Mu gihe Yezu n'abigishwa biwe bariko barafungura, yuda amaze gusohoka, Yezu yavuze ati: "Ubu Umwana w'umuntu yaraninahajwe, vyongeye Imana yaraninahajwe muri we. Ko Imana yaninahajwe muri we, Imana nayo izomuninahaza muri yo, kandi ni ubu vuba iza kumuninahaza.

Bura bwanje, ni akanya gato gusa tukimaranye. Ndabahaye itegeko rishasha: ni iry'ugukundana. Nkuko nabakunze, nimukundane namwe. Urukundo muzokundana nirwo ruzorangira bose ko muri abigishwa banje."


# Kunda Ndongozi, Soma Ndongozi, Andikira Ndonkozi.

Ndongozi ifashe kano kanya ngo ishimire cane Umuryango w'Ababikira Bene Mariya (Imibano yawo igera kuri 36) ingene bakunze kandi bagasoma ikinyamakuru Ndongozi y'Uburundi. Nimushimirwe cane.

Ndongozi irashimiye cane Umuryango w'abakristu (216) ba Paruwase Mabanda basoma, bakigisha abandi kandi bagaterera Ikinyamakuru Ndongozi.

**Mwese mwamane imigisha.**

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana

**Ndabahaye itegeko rishasha: "Nkuko nabakunze, nimukundane namwe".**

Bavukanyi bakunzi b'Imana, Ijambo ry'Imana ryo kuri iyi dominika ya gatanu, ridutumirira kuraramura amaso yacu y'umutima ngo tubandanye twihweza Yezu Kristu yizuye mu bapfuye: Kristu yazutse ni muzima muri we niho dukura akanyamuneza.

Niwe agaruka atatwibutsa ikiruta ikindi mu buzima bw'abantu: Urukundo. Iri tegeko ryariho kuva kera na rindi, mu mibano n'imigenderanire y'abantu, ariko Yezu arigize rishasha: rishasha mu kanovera karyo.

Yezu yaje kugira ngo isi ironke ubuzima bushasha bw'akanovera gashasha. Ni rishasha kuko ari we yashoboye kurirangura, akemera no kuripfira ngo yigishe abantu kutikunda gusa, ariko turikunde, turigendere mu mu gukunda abandi twongere tubitangire.

Iryo tegeko rishasha rya Yezu co kimwe n'ayandi dusanga muri Bibiliya, ni "INGABIRANO" y'Imana. Naho ari impano, turakwiye kwma na ntaryo tuyisaba kugira ngo ibe ari yo itubamwo, itugenza.

Mu Nkuru nziza, Yezu yasavya abatumwa biwe kugiriranira urukundo, ati: Ndabahaye itegeko rishasha: ni iry'ugukundana. Nkuko nabakunze, nimukundane namwe. Urukundo muzokunda-



na nirwo ruzorangira bose ko muri abigishwa banje."

Kanatsinda, yari ahejeje kurubereka mu kuboza ibirenge: ati murategereye ico ndabagiriye?

Urukundo rwa Yezu rwamutumye aca bugufi, akorera abatumwa biwe ivyo abandi batari kubakorera, aboza ibirenge kandi ico gikorwa c'ari kigenewe abacakara, abasumba.

Yezu yigize ubusa imbere y'abatumwa biwe kugira ngo abahe akarorero, na bo bige kandi bamenye kwozanya ibirenge, bagiriranire neza, bafashanye, ntihagire n'umwe yiyumvira ko hari ico asumije uwundo.

Urukundo nk'urwo turarunyotewe: urukundo rwihebetra abantu bose, urukundo rwiyibagira, rukatwibagiza igihagararo cacu kugira ngo twiyegereze abato bato, dutabare abarushwa, tugwanire abahahazwa, turemuerure abaremerewe ku mutima no ku mubiri kubera ubuzima bubaremereye.

**Ndabahaye itegeko rishasha: "Nkuko nabakunze, nimukundane namwe".**

Urukundo rwitangira abandi rumeze nk'ikiraro, nk'inzira nk'urugendo bituma umuntu asohoka inzu yari yiyugaraniyemwo: ya nzu y'urwanko, ya nzu y'ukwikunda, ya nzu y'ugufata nabi abandi, ya nzu y"ishari n'inzigo vyugarije imitima y'abantu bamwe bamwe bikabatuma batabana neza na benewabo.

Urukundo nk'urwo rutuma uhumeka impwemu z'ubuzima, kandi ugatanga ubuzima mu bandi.

Umutumwa Yohani ati: " Turazi ko twavuye mu rupfu tuja mu buzima kuko dukunda benewacu." (1Yoh.3,14). Ahandi akavuga ati: «Uwudakundana, ntiyamenye Imana», «Uwanka mwenewabo abona yokunda gute Imana atabona?»

Gukundana ni co kimenyetso kitabesha y'u-ko umuntu vy'ukuri a-ri n'ubuzima muri we. Ukunze abandi uzoba ukunze na Yezu Kristu ari muri bo.

Urukundo nk'urwo rwitanga ata nyungu, rumaze kugaragara ruca rukwira hose, mu bantu bose, mu miryango no mu mirwi yose, eka isi yose ikagira akamotera k'urwo rukundo. Bisigura ko isi yose ica iba nk'umuryango wugurukiye abandi, utiyugaranye.

Ng'uyo rero umwitwarariko dukwiye kugira mu bijanye no kuronde-ra Imana.

Uyu munsi, benshi baracari kure wumvise abajuragirika mu madini, mu bikorane, bakagenda ata rukundo namba baronderayo ariko ari ukurondera ibibatunga uyu munsi gusa, canke kubera imvo iyi canke iriya. Urashobora kwibaza uti «Mbega ubwo bajayo kuko barondera gukunda nka Yezu? Kuko bashaka kubona Yezu? Kuko bumviseyo Yezu?

Uwudakundana nta buzima afise.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060

(Bitangurira ku rup.1

3. Uri umunyamwete, igikorwa naho coba kigambaraye ukungana iki, umutima wawe uragutonganya mu gihe utagikoze.

Mu banyamwete, ni ho tubona abantu, naho imyaka yoba ibaremereye, baguma bita ku rutare, bakora ijoro n'umutaga, gushika aho mbere uza wumva bavuga ngo : « Reka ndime ndonke ivyo nzosiga mu nzu, ejo ni baza kumpamba, ntibazovuge ngo ntagipfuye».

4. Uwo mwete ni wo dukeneye ; umwete umuntu yiyumvamwo nk'umuhigo, hamwe yibwira ati: «Ntegerezwa gukora atari ukubera babintegetse, ariko nyabuna kubera numva ko ari ryo teka ryanje ».

Iteka ry'umuntu na ryo nkuko tubizi, ni iry'umuryango wiwe.

Imiryango na yo yihaye iteka, ni igihugu cose kiba kironse iteka, kubera ko igihugu ari urufatangane rw'imiryango.

Barundi, Barundikazi, Bakozi, Bakoresha

5. Gukora ni iteka kandi Imana irahezagira abakozi.

N'impanuro dukura mw'ijambo ry'Imana, zishimikira ku bikorwa.

Umutumwa Yakobo ati: « Ukwemera kutagira ibikorwa, kuba kwarapfuye ».

Umwanditsi w'igitabu c'imigani muri Bibliya nyeranda nawe ati : «Wa kinebwe we, uzoryama gushika ryari ? Uzova mw'itiro ryari? Ugusinzira gatoyi, uguhunyiza gatoyi, ukurera amaboko gatoyi mu kwiryamira, bituma ubworo bukwinjirana nk'ikiyererezi, ubukene na bwo nk'igisuma.

Kuva kera, Abasokuru baraduciriye umugani bavuga bati : « Uwutarima ntamira ».

Ukaba ubona uno musi uri umukene rero, nurabe neza iyo ubworo bwawe bwavuye, hanyuma witeko umwikomo, aho kuwuta ku bandi.

Barundi,
Barundikazi,

6. Mu gihugu cacu turacariko turiga gukora.

Aho hambere hahise, twaritiranya gusukurira abandi no kwikorera. Ni co gituma dushimira abamaze gutahura ico ari co gukorera igihugu no kwikorera, bazi neza ko hari amasaha yo gukorera abenegihugu n'amasaha yo kwikorera mu kugwiza umwimbu.

Abo ni bo bariko batuma igihugu gihindura ishusho kuko uwukorera uwundi, nta kindi atari ugukorera inda gusa, agapfa ataco asize.

Ariko, hariho n'abagipfisha ubusa amasaha arenga cumi n'atandatu ku musi;

Hakaba n'ababesha ngo bamaze amasaha munani ku kazi, naho bayamaze gusa, aho akazi gakorerwa.

7. Abo bamaze gutahura, ni bo bariko barema itunga, ni bo kandi bahaye n'akazi bagenzi babo.

Tumenye neza ko uyu musi ari uw'abakozi n'akazi.

N'umusi wo kumenya ko umukozi atari umuja w'umukoresha, ahubwo ko abo babiri ari magiriranire.

Umukoresha yazanye igikorwa n'umutahe, umukozi nawe azana ubwenge n'ubukomezi.

Iyo abo babiri bakoranye bashize hamwe umutima n'inama, baraheza bakagwiza umwimbu.

Ni co gituma bagengwa n'amategeko kugira ntihagire abagunga abandi.

8. Turashimiye abakozi bakwirikiza amategeko y'akazi kandi bakakarangurana umwete ; wa mwete utarindira igitsure.

Turashima kandi ko ibiganiro hagati y'abaserukira Reta, abaserukira abakozi n'abaserukira abakoresha bigenda neza, kuko bayaga bashira hamwe ingene akazi kariko karagenda, n'ingene kotera imbere gusumba.

Ariko rero ngume nibutsa: Leta ni igihugu, igihugu na co si umukoresha, kiretse mu mashirahamwe y'igihugu agwiza umwimbu.

Abakorera igihugu ni bamenye ko ari abasuku basukurira abenegihugu. Iyo baba bari abanyakazi, umukoresha na we akaba ari umwenegihugu, bisigura ko n'uwo nyene akora, na we aba yikoresha.

Mbega uwikoresha, yokora gute ? Yosaba iki umukoresha ko ari we nyene ?

9. Turashima cane ko abakozi n'abakoresha batahura ko ahatari uburongozi bwiza, iterambere ry'abakozi n'akazi rica rihungabana, umwumvikano ku kazi n'umwimbu bigaca bigabanuka.

Ikiduha umwizero wa kazoza keza k'akazi, ni uko abakozi benshi bamaze kwumva ko ingorane ziduhanze twese uno musi ari ubukene.

Ubwo na bwo, kurya nyene aho kwidogera umwijima wopfuma watsa urumuri, aho kwidogera ubukene ni ukubugomorerako ingabo z'abakozi, zikaburwanya gushika zibutujije.

Ni ukuvuga ko twokora tugize urunanini rw'intamenwa, tuyoboka abakoresha, twese twumva ko dusangiye ugupfa n'ugukira.

**Biracaza**

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Itorwa ry'Umusubirizi wa Petero, Papa Leon wa 14

(Bitangurira ku rup. 3



Akotsi kera, ikimenyetso c'uko hatowe Papa mushasha

tiriwe Petero mweranda igihe c'isaha zine zo mu gatondo.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Karadinali Giovanni Battista Re yibukije igituma iyo nama yugururwa n'inkuka ya misa ati: « Dukoraniye ngaha ngo twambaze Mutima Mweranda ngo adushungururireko umuco n'ubukomezi bwiwe kugira ngo haze gutorwa umu Papa Ekleziya n'isi yose ikeneye muri bino bihe turimwo. Isi yubu irangwa n'iterambere rihambaye mu bijanye n'ubuhinga bwa none ariko yibagira Imana. »

Yatumiriye abakaradinali batora gushira imbere Imana n'Ekleziya, bakirinda gushira imbere ivyiyumviro vyabo nk'abantu. Abandanya amenyesha ko urukundo rudatora nkurwo Kristu yarafise, rumwe rwatuma yicisha bugufi akoza ibirenge vy'abatumwa adacaguye n'umwe, akoza ibirenge nuwo yarazi ko ahava amugurisha, ko arirwo rusa ruzohindura isi.

Yaheraheje yibutsa ubutumwa buhambaye burindiriye Papa, ko ari ukugumya no gutsimbataza ubumwe bw'abakristu na Yezu Kristu nyene, ubumwe hagati y'Abepisikopi na Papa n'ubumwe hagati y'Abepikopi ubwabo.Ukugumya ubumwe mu nzira twaciriwe na Ye-zu Kristu we nyene.
Ati ugutora umu Papa, si ugushiraho gusa umusubirizi wa Petero mweranda, ni Petero wenyene agaruka. Dusabe Mutima Mweranda adu-torere umu Papa ari mu mutima w'Imana.

Inyuma y'umutaga niho abakaradinale batora baca bakoranira mu kibanza gitegekanirijwe ico gikorwa.

***Muti vyagenze gute?***

Mu mwaka 1996, Papa Yohani Pawulo wa II yanshinze ko amatora y'umusubirizi wa Petero Mweranda azohora aba ku munsi ugira 17 inyuma y'urupfu canke ugutanga imihiho y'uwahahora. Iryo tegeko aba Papa Benedigito wa XVI na Papa Fransisiko ntaco barihinduyeko. Nico gituma baciye bashira ico gikorwa ku wa 7 Rusama.

Igihe c'isaha cumi n'igice, abakaradinali bari bakoraniye mu gasengero «Pauline» ko ku kirimba kwa Papa i Roma mu gisabisho inyuma yaho, baciye bafata urugendo rugana agasengero «Sixtine» kaberamwo igikorwa co gutora Papa. Bamaze kwambaza Mutima Mweranda, baciye barahira bafashe Bibiriya bemera kugumya ibanga ry'ibizobera vyose muri iyo nama.

Bose bahejeje kurahira baciye bugara inzugi kugira bakore vyose mw'ibanga, akotsi niko gaheza kakamenyesha igihugu c'Imana ibivuye mu matora. Kuri uyo munsi, akotsi kaserutse kirabura, bisigura ko ata numwe yashikanye amajwi ategekanijwe.

Ni ukuvuga ibice bibiri vya bitatu vyabari muri ayo matora : amajwi 89. Ku wa 8 Rusama, igihe c'isaha cumi na zibiri n'iminota umunani, niho akotsi kera kaboneka. Gurtyo Ekleziya iba iraronse umusubirizi wa Petero agira 267, karadinale Robert Francis Prevost w'imyaka 69.

***Robert Francis Prevost ni nde ?***

Robert Francic Prevost yavukiye i Chicago muri Amerika y'Uburaruko ku wa 14 Nyakanga 1955. Ku wa 1 Nyakanga 1977 yinjiye mwirerero ry'aba patiri ba Augustino mweranda, agira indagano ku wa 29 Myandagaro 1981, yatirwa mw'ibanga ry'ubusaseredoti ku wa 19 Ruheshi 1982.

***Ubutumwa yaranguye***

Kuva 1982-1985 yabandanije ivyirwa vya Filizofiya na Tewolojiya. Kuva 1985-1986 yaranguriра ubutumwa mu gihugu ca Perou. Mu 1987 yaheraheje ivyirwa vyiwe vya Teolojiya aronka urupapuro rw'umutsindo ku bijanye n'amategeko y'Ekleziya. Mu myaka 1988-1999 yasubiye mu gihugu ca Perou aho yaranguriye ubutumwa butandukanye. Kuva 2001 -2013 yari umukuru w'umuryango w'abasaseredoti ba Augustino mweranda.

Ku wa 3 Munyonyo 2014 Papa Fransisiko yamugenye kuba musitanteri wa Diyoseze ya Chiclayo, aca amugena mu kwezi kumwe kuba umwungere wa Diyoseze ya Sufar. Ku wa 26 Nyakanga 2015 Papa Fransisiko yamugenye kuba umwungere wa Di-yoseze ya Chiclayo.

Ku wa 30 Nzero 2023 Papa Fransisiko yamutumyeko i Roma amuha ubutumwa bwo gutwara igisata ca Papa kijejwe Abepisikopi. Ku wa 30 Nyakanga 2023 amugira Karadinale, abandanya kuyobora ico gisata. Ingendo za nyuma Papa Fransisiko yagize bari kumwe.

Ku wa 8 Rusama2025 Karadinale Robert Francis Prevost atorerwa kuba umusubirizi wa Petero mweranda. Kw'izina rya Papa Lewo wi XIV. Ekleziya yose itera impundu ko ironse umwungere.

Tubamenyeshe ko abaye umu Papa wa mbere a-vuye muri uwo murya-ngo w'abapatiri ba Augustino mweranda, akaba umu Papa wa kabiri ava ku mugabane wa Amerika inyuma ya Papa Fransisiko aherutse kw'itaba Imana.

**M S V Marie Goreth Ndikumana**

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera kwacu (Ibikurikira).

Igihambaye rero ni uko Bibiliya uko iba kwose kandi n'aho igizwe n'ibitabo vyinshi, ivuga Imigenderanire iri, kandi yamye, hagati y'Imana n'Abantu yaremye.

Iyo migenderanire nayo yamye igizwe n'ubugamburutsi buvanze ubugambarazi bw'abantu (fidelité et reniement), kuva Imana yimenyesha ubwa mbere Abayahudi iciye kuri Musa n'Abahanuzi (ni ryo Sezerano rya Kera – Ancienne Alliance) gushika yiyerekane kandi yimenyeshe amakungu yose muri Yezu Kristu Umwana Wayo (ni ryo Sezerano Rishasha – Nouvelle alliance).

Bibiliya ni igitabo kivuga urugendo rurerure cane Kiremwa muntu yagize kandi akiriko, agana Urukundo Ruzi-ma n'Umwidegemvyo Muzima (C'est un long cheminement vers la liberté et l'amour).

Igihambaye kandi ni ukumenya ko muri Bibiliya kuva ku ntango gushika ku mutwe w'ico Gitabo Ceranda Ijambo ry'Imana ari rimwe ridahinduka kandi ridahinyuka : ni uko Imana yakunze abantu bose, baracumuye ikabemerera gucungurwa, gushika irungike Umwana wayo Yezu Kristu yigure bose mu rupfu rubi rwo ku musalaba, kugira ngo abamwemeye bose ntibapfe, baronke riho mw'izuka ryiwe ubuzima budahera.

2. Ibitabu bigize Bibiliya.
Urutonde rero ruzwi kandi rukurikizwa muri Ekleziya Katolika, ari rwo ruri muri Bibiliya, rurimwo ibice nyamukuru bibiri ari vyo twita:

Ubwa mbere Ubwuzure bwa kera (Ancien Testament, Ancienne Alliance) ari ryo Imana yagiranye n'uruvyaro rwa Yakobo mwene Izahaki umwuzukuru wa Abrahamu. Harimwo ibitabu kikurikirana uku:

- Ibitabu vy'Amategeko (Torah) ni ukuvuga ibitabu bitanu vya mbere. Bitonze nk'uko biri muri Bibliya y'Abahebereyi, uku gukurikira: amamuko, Ihunguka, Bene Levi, Iharura, n'Ukwibutsa amategeko.

- Ibitabu vy'ivyabaye: Yozuwe, Abacamanza, Ruti, 1 Samuweli, 2 Samuweli, 1 Abami, 2 Abami, 1 Ukwibutsa ivyabaye, 2 Ukwibutsa ivyabaye, Esidarasi, Nehemiya, Toboto, Yudita, Esitera, 1 Abamakabe, 2 Abamakabe.

- Ibitabu vy'ubwitonzi: Yobi, Amazaburi, Imigani, Kohereti, Ururirimbo rw'agakura, Ubwitonzi na Mwene Siraki,

- Ibitabu vy'Abahanuzi: Bagabuwemwo imice ibiri. Abahanuzi bakuru bakuru: Izaya, Yeremiya, Ugucura intimba kwa Yeremiya, Ezekiyeli, Daniyeli. Hamwe n'Abahanuzi bato bato 12: Ozeya, Yoweli, Amosi, Abudiyasi, Yonasi, Mishe, Nahumu, Habakuki, Sofoniya, Hagayi, Zakariya na Malakiya.
3. Ubwuzure Bushasha.

Ubwa kabiri: Ubwuzure Bushasha ( Nouveau Testament, Nouvelle Alliance) Imana yagiranye n'abantu bose muri Yezu Kristu. Ni igitabu kigizwe ni:

- Inkuru nziza ya Yezu Kristu: Matayo, Mariko, Luka na Yohani,

- Ibikorwa vy'Abatumwa,

- Amakete y'umutumwa Paulo: Abanyaroma, 1 Abanyakorenti, 2 Abanyakorenti, Abanyagala-ti, Abanyefezi, Abanyafilipi, Abanyakolosi, 1 Abanyatesalonika, 2 Abanyatesalonika, 1 Timote, 2 Timote, Tito na Filemo,

- Ikete ryandikiwe Abahebereyi,

- Amakete agenewe bose: Yakobo, 1 Petero, 2 Petero, 1 Yohani, 2 Yohani, 3 Yohani na Yuda,

- Ivyahishiriwe Yohani..

**3.Naho Bibiliya igizwe n'ibitabu vyinshi, intumero ni imwe.**

Kuva ku gitabu c'Amamuko gitangura kutuyagira ivyerekeye irema n'intango yiivyaremwe n'Imana vyose, gushika ku gitabu c'Ivyahishuriwe Yohani, gisozerera ku vyo yeretswe vyerekeye isi nshasha n'ijuru rishasha, Bibiliya yose irimwo imvugo nyinshi zitandukanye:
* ukwigana ivyabaye,
* ibisabisho,
* amategeko,
* ivyivugo,
* inyigisho z'abahanuzi,
* imigani,
* indirimbo z'urukundo,
* imvyino,
* ugucura intimba,
* ingingo z'ukwemera,
* impanuro zitandukanye zerekeye ubwitonzi, n'ibindi.

Yamara rero, intumbero nyamukuru y'ivyo vyose ni imwe : ni ikibanza c'Imana n'ijambo ryayo rishikira abantu mu buryo bwinshi bushoboka, kugira ngo bayimenye, bashobore gutegera ico ibipfuriza kandi bashike ku rugero rw'abana bayo babushitse.

Ni umugambi w'urukiza imana ifiteye abantu bose, waciye mu mvugo y'abantu nyene kandi ukibonekeza mu bintu bigaragara Imana yo nyene yagiye iragirira abantu bamwe bamwe kugira ngo bibere akarorero bose.

Hamaze kwerekanwa, mu bigabane 11 vy'igitabu c'amamuko, intango ya vyose mw'iremwa hamwe n'uburyo abantu ba mbere babayeho mu maso y'Imana, Bibiliya ica ibandanya ishimikira kw'ihamagarya rya Aburahamu ( nko mumwaka w'1850 imbere ya Yezu Kristu) no mu muhango, umuhezagiro n'isezerano vyaburiwe uruvyaro rwiwe, bigahava birangukira muri Yezu Kristu yapfuye hanyuma akazuka, akurira mw'ijuru, mu buninahazwa bwa Se, mu ntango z'iki kigihe turimwo: haheze imyaka 2025.

**2) Bibiliya iyaga iki? Ikakiyagira bande?**

*Ibikur. urup. 12*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Twitabe amatora, twitorere indongozi nshasha.

Kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 9 rusama 2025, mu gisagara ca Gitega, ku mugwa mukuru wa poritike, harabaye igikorwa c'iyugururwa icese c'imyiyamamazo y'abashaka kwitoza ku rwego rw'abashingamateka n'abajenama ba komine, kw'igenekerezo rya 5 Ruheshi uyu mwaka wa 2025.

Ivyo birori vy'uguruwe n'Umukru w'igihugu Evariste Ndayishimiye, bikaba vyitabwe n'abashaka kuzokwitoza bari mu migamwe 23 ku migambwe 37 yemewe n'amategeko, irimwo urunani rwitwa « Uburundi bwa bose ». Hari kandi n'abigenga bashaka guharanira ibibanza vy'abashingamateka n'abahanuzi b'ama komine.

Ivyo bikorwa vyari vyateguwe n'Umugwi CENI ku civugo ngo : «Turi kumwe twese mu matora yo mu mwidegemvyo, mu bwigenge, mu mahoro, arimwo bose kandi ku mugaragaro.»

Abashikirije amajambo bose bashaimye ico ciyumviro co gukoranyiriza hamwe abanyamigambe n'abigenga bashaka kuzokwitoza, ariko kandi baragize n'ivyo basaba korerwako kugira ngo babandanye babumbatiye amahoro n'umutekano.

Pastori Dieudonné Nahimana yaserukira abigenga 13, ati « Turashimiye cane Umukuru w'igihugu n'umugwi ujejwe gutegura amatoro ko bashoboye gukoraniriza hamwe abiteguriye guhiganwa. Ni ikimenyetso ko demokrasi itsimbataye mu Burundi.

Ariko kandi hari ivyo yaneguye, ni nko gusaba gusaba ibice 2% ku bitoza baserukiye imigambwe, abigenga nabo bagasabwe ibice 40% kura ngo ashike mu kibanza yiterejemwo.

Nestor Girukwishaka arongoye CNL nawe yaserukiye imigambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi, na wenyene yagize ati, natwe twiyemeje ko tuzohiganwa dukurikije amategeko. Dusavye ko n'iyindi migambwe ashizemwo uwuri ku butegetsi ko bokurikiza amategeko.

Akanegura ariko ibitagenze neza mu gushirahi imigwi iserukira CENI mu ntara no mu makomine kuko ngo Umugambwe CNL ahenshi wakumiriwe.

Akiyamiriza:
1. Agatotezo gakorerwa abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta ;
2. Gutegeka kwinjira ku nguvu muri CNDD-FDD abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta,

3. Ukutihanganiranira mu migambwe,

4. Bamwe bamwe mu ntwao badashaka ko iyindi migambwe yokorera muri ubwo burere barongoye,

Agasaba :
- Inzego zijejwe intwaro n'umutekano hamwe n'umugwi CENI gufata kumwe abitoza, kuko anegura ko habaye utunenge mw'itunganywa ry'aya matora: abajejwe umutekanoo bacungere bose badacahura, abakozi ba CENI bakore uko bashobora kwose kugira ngo hazotangazwe ibiharuro vyo mw'itangazwa ry'ivyavuye mu matora,

- Kuronsa igitora abakuru b'imigambwe ngo bazoshikire abanwanyi nabo,
- Gushinga ijisho abakomoka kuri CENI kugira ngo bakurikize amategeko,
- Gutanga ikibanza kingana mu bimenyeshamakuri,
- Gusangira ivy'igihugu inyuma y'amatora,
- Imigambwe igishwe inama n'ingingo mw'itegurwa ry'imigambi mukuru mikuru y'ubuzima bw'igihugu.

Yasozereye yipfuza ko Uburundi bwoba ubwa bose buzira agasuzuguro, buzira ubukene, bubumbatiye amahoro n'umutekakano.

Uwo arongoye umugambwe CNDD-DFDD yasavye ko abarongoye imigambe bose ko boshira hamwe bakavuga ivyubaka, barondere ibiduteza imbere bose, bahiganwe badahezanyayo bafatane neza.

Ijambo nyamukuru ry'uwo munsi wo gutanguza ku mugaragaro imiyamamazo ryashikirijwe n'Umukuru w'igihugu.

Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye yari ahejeje gutera umukono kw'i-tegeko ritanguza imyiyamamazo y'amatora yo ku wa 5 ruheshi 2025. Bimwe mu biri muti iryo tegeko kandi yashikirije mu gutanguza icese imyi-yamamazo:

1) Imyiyamamazo izotangura mu gihugu cose kuva ku wa 13 Rusama gushika itarike 02 Ruheshi uyu mwaka (amatora azoba ku wa 05/06/2025)

2) Buri musi muri ico kiringo, imyiyamamazo izotangura isaha 12 z'agatondo irangire isaha 12 z'umugoroba;

3) Abazokwiyamamaza ni abazitoza bemerewe na CENI.

4) Amajambo yo gutukana no gutyozanya hagati y'abahiganwa arabujijwe.

5) Harabujijwe kwiyamamariza mu mashure, yaba matomato, ayisumbuye canke mu ma kaminuza, ayigenga n'aya Reta.

Umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye avuga ko iyo myiyamamazo yuguruwe icese kuri uyu wa gatanu, igiye gutuma incuti z'Uburundi zikwirikirana uko abarundi bifata mu mahiganwa ya poritike. Bikazotuma babona ko abarundi batari ba nshirira kw'isahani ntamire ahubwo bashoboye kwitunganiriza ivy'igihugu.

***Patiri Noël Ntirandekura***

**Igabanganywa ry'intebe (Abashingamateka) ku ntara:**

| | |
|---|---|
| **1. Buhumuza:** | **16** |
| **2. Bujumbura:** | **23** |
| **3. Burunga:** | **17** |
| **4. Butanyerera:** | **23** |
| **5. Gitega:** | **21** |

# Uruhara rw'umukristu w'umukatolika mu buzima bwa politike no mu bihe vy'amatora (Ibikurikira)

3. Inyigisho ngengamibano y'Ekleziya ku bijanye na politike.

Twobanza kwibukanya ko mu gihugu icari co cose, Ekleziya nta mugambwe ishigikira. Ariko irigisha ibintu ngenderwako bimurikira agatimampanuzi k'abantu.

Politike ni umuhamagaro uhambaye utegerezwa gushira imbere inyungu rusangi. Inyigisho ngengamibano y'Ekleziya ihagaze ku nkingi zikurikira: agateka ka kiremwa muntu, itunga rusangi, itunga ry'isi ryagenewe bose, ukwitwararika ubwa mbere aboro, ukwunganirana/ukwungurana, ukugira uruhara mu buzima bw'aho ubaye n'ugushigikirana.

Nk'akarorero ku bijanye n'agateka ka kiremwa muntu inyigisho nengamibano y'Ekleziya iratwibutsa ko iryo teka rya zina muntu rivomwa mu gitabu ca mbere ca Bibliya Nyeranda : Amamuko.

Dusoma ko ijambo ry'icese ngo « Imana irema umuntu iramwishushanya, irema uwufise agashusho k'Imana, ibarema ari umugabo n'umugore» (Amamuko 1, 27)

Iryo remwa ry'umuntu mw'ishusho y'Imana ryujujwe n'ukwigira umuntu kwa Yezu Kristu Umwana w'Imana. Kukaba nkako, «abantu bacunguwe n'amaraso ya Kristu Yezu, ku nema yiwe bacika abana n'abakunzi b'Imana bongera baba ba samuragwa b'ubuninahazwa bwamaho » (Pacem in Terris, no 110). Ni co gituma inyigisho ngengamibano y'Ekleziya itwereka inkurikizi zamuka kuri iryo shingiro rya mbere ry'agateka ka kiremwa muntu, mu kwemeza no mu gutangaza ata makenga uburenganzira ntayegayezwa bwa kiremwa muntu ko umuntu wese ari n'uburenganzira bw'ukubaho n'ugukingirwa no kuronka uburyo nkenerwa kandi bukwiye ngo abeho runtu mu vyerekeye kuronswa imfungurwa, impuzu, uburaro, kuruhuka, kwivuza n'ivyo vyose vya nkenerwa mu kibano.

Ni co gituma umuntu wese afise uburenganzira bw'ugukingirwa iyo arwaye, iyo amugaye, apfakaye, ageze mu za bukuru, atagiraakazi n'aho hose yatswe ikimutunga bitamuvuyeko (Inyigisho ngengamibano y'Ekleziya, no 118).

Ku bijanye n'itunga rusangi Papa Yohani wa XXIII asigura ko ari ibikenewe mu mpande zose z'ubuzima bw'umuntu kugira ngo ashobore kubaho neza yiyuguruye kandi yugurukiye abandi ata nzitizi, ubutegetsi butegerezwa kwubaha no kwubahiriza agateka ka kiremwa muntu kugira akore biciye mu karangamutima kiwe, ubuntu bwiwe mu mwidegemvyo nyakuri, hatibagiwe ukwemera kwiwe.

Ubutegetsi butegerezwa kandi gukora ibikenewe kugira abanyagihugu babeho neza kandi bashike kw'iterambere, tutibagiye kwitwararika amahoro nyakuri mu kwitwararika gukingira abantu bose, hakaba umutekano uremesha bose ku buryo umuntu wese yumva ko akingiwe ku gatwe kiwe, mbere no muri rusangi (CEC, nn 1906-1909).

Aho hose abakristu b'abakatolika bari mu nzego bahamagariwe kuba aba mbere bagerageza kuvyitwararika ku nez aya bose.

4. Ico Inama Nkuru ya Vatikano ya kabiri ivuga ku vya politike

Inama Nkuru ya Vatikano ya kabiri irashimikira ku ruhara n'ubutumwa abakristu balayike bategerezwa kwerekana aho babaye, ikibibutsa ko bategerezwa kugira ico batereye mu vy'intwaro. Si ikintu umuntu ahitamwo ahubwo ni uruhara ngombwa rw'umukristu.

N'Abapapa bamwebamwe barafise ico bakebura abakristu ku bijanye n'ivya politike.

Umweranda Papa Yohani Pawulo wa kabiri ntiyahengeshanya gusemerera avuga ko politike itegerezwa kwubahiriza agateka ka kiremwa-muntu n'ubwigenge bw'ugusenga.

Papa Benedigito wa 16 yibutsa ko urukundo n'ukuri ari vyo bitegerezwa gushirwa imbere mu vya politike.

Papa Fransisiko aherutse kwitaba Imana yibutsa abakristu ko politike idakumira ifasha aboro ikubahiriza n'ibidukikije (Laudato Si').

5. Intererano y'umukristu mu vya politike

Mu bijanye n'ubuzima bwa politike, umukristu aterera mu gukora ibintu bimwebimwe bikurikira:

- **Gushishoza :** Imbere y'ukuja mu vya politike, umukristu ahamagariwe ubwa mbere kwiyumvira, agashishoza, akabaza umutima n'abagenzi ko uwo muhamagaro wo kuja mu vya politike awufise. Igisabisho, guhanuza umusaserdoti, kumenya ico Ekleziya yigisha kuri politike. Ivyo ni nkenerwa;

- **Gutora n'ukwitoza :** Umukristu wese arafise uruhara rwo gutora mu mwidegemvyo mu gushigikira abitoza na politike yabo, ivyo vyose ariko ahamagariwe kubikurikiza igihe vyubahiriza agateka ka kiremwa muntu n'ubutungane;

- Kuja mu mashirahamwe y'imibano y'ubutunzi ateze imbere aho abaye: Politike si amatora gusa. Abakristu bategerezwa kuja mu mashirahamwe, n'amakoperative kugira biteze imbere kandi bagwanire uburenganzira bw'abantahonikora, abantu batobato;
- Gushingira intahe Kristu muri politike : Umukristu ari mu vya politike ahamagariwe kuba icabona c'ukuri n'ubutungane, naho bishobora kumugirira ingaruka mbi, bitabuze intambamyi;
- Kugira imigenzo myiza, gukorera neza igihugu n'abavukanyi;
- Umukristu nk'umunyagihugu ategerezwa kugira uruhara mu buzima bwa politike kugira asasagaze ubutungane n'amahoro.

*Biracaza*

*Igisata kijejwe Ubutumwa bw'ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura «CJP Bujumbura»*

# Umurwi CVR ntuzoca imanza, ariko uzokwumvikanisha

Mu gihe itegeko rishasha rigenga umurwi CVR ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira ku bwicanyi n'ayandi mabi yabaye mu Burundi riha uwo murwi ububasha bwo gutohoza no kwerekana ukuri ku bintu vyanyazwe canke vyatswe abasigwa b'abishwe, Petero Claveri Ndayicariye avuga ko ata manza uwo murwi uzoca: «Umurwi uzotohoza ukuri wongere wumvikanishe abafitaniye amatati ». Ivyo yabishikirije mu kiganiro yagiriraniye n'abenegihugu bo muri komine mukaza cabereye kw'ishure rikuru Scheppers ryo mu Nyakabiga ku wa 02 Rusama 2025.

Igisata co gukomorera ibintu abasigwa b'abishwe căhora gitwarwa mu murwi w'igihugu CNTB ujejwe gutohoza ukuri ku matongo n'ibindi bintu vyanyazwe mu gihe c'amakuba yazingamitse Uburundi. Uwo murwi wamenyeshejwe ko utazokongerwa ikiringo mu rwandiko ruvuye mu biro vy'umukuru w'igihugu ku wa 11 Ntwarante 2022. Umurwi wararangije igikorwa cawo wongera uratanga n'icegeranyo c'ivyo washoboye gushikako.

Hagati aho, harashizweho sentare idasanzwe ica imanza zerekeye amatongo n'ayandi matungo (CSTB). Iyo sentare, yashizweho mw'itegeko ryo ku wa 15 Nyakanga 2014. Igikorwa nyamukuru c'iyo sentare, kwari uguca imanza z'amata-ti afatiye ku matongo n'ayandi matungo hagati y'abantu bumvikanishijwe n'umurwi w'igihugu CNTB ariko ntibahuze. Kubera ko uwo murwi utari ufise ububasha bwo guca urubanza, amatati y'uwo murwi yungururizwa muri iyo sentare. Iyo nayo iheruka gusozera ibikorwa vyayo ku wa 13 Ntwarante 2025.

Ubutumwa bushasha bw'umurwi CV rero buri mw'ibwirizwa n° 1/11 ryo ku wa 28 Rusama 2024 risubiramwo ibwirizwa n°1/022 ryo ku wa 06 Munyonyo 2018 rihindura ibwirizwa n° 1/18 ryo ku wa 15 Rusama 2014 rishinga umurwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha abarundi, ububasha ufise, abawugize n'ingene ukora.

Mu ngingo ya 3 agace ka kabiri k'iryo bwirizwa, biratomoye ko : « umurwi CVR ufise kandi intumbero yo kwakira amatati ajanye n'amatongo hamwe n'ayandi matungo ari hagati y'abasinzikajwe n'ivyago ubwabo, hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'abandi bantu canke hagati y'abasinzikajwe n'ivyago n'ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo ». Ingingo ya 5 y'iryo bwirizwa niyo itomora ko umurwi CVR udafise ububasha nk'ubwa Sentare, kandi ukwumvirizwa n'umurwi ntibirihishwa amafranga.

***Amakenga y'abenegihugu ahagaze kuri ubwo bubasha***

Aho niho ibibazo vyinshi vy'abenegihugu bihagaze. Mu gihe iryo tegeko ridatomora ko amatati yamaze kwumvirizwa muri CNTB canke muri CSTB ashobora kuja kwumvirizwa muri CVR, abantu babona ko ivyo bikorwa bizohava bisubiza inyuma aho ibikorwa vyo kunywanisha abantu mu butungane bw'inyuma y'intambara vyari bigeze. Bamwe bati : « Nimba abari barahebujwe na CNTB canke CSTB bafise uburenganzira bwo gusubira kwitura CVR ngo ibatohoreze ivy'abo, uwo murwi uzosanga usubiye guhera ku ntago kandi utanafise uburenganzira bwo guca imanza. »

Nk'uko Leya Pasikaziya Nzigamasabo, umunyabanga nshingwabikorwa w'umurwi CVR akaba n'umuhinga muvy'amategeko abivuga, ngo ububasha bwa Sentare bwo guca urubanza bisigura ko ingingo ishikirijwe na Sentare ishobora kwungururizwa. « Iyo sentare iciye urubanza, uwurushijwe aba afise uburenganzira bwo kwunguruza. Ariko ingingo zizofatwa na CVR ntizizokwunguruzwa. Zizoba ari ntabanduka ».

***Kwaka abantu uburenganzira bwo kwunguruza ingingo si ihonyangwa ry'amategeko?***

Ku biyumvira ko umurwi CVR uzohava ufata ingingo itariyo, hakaba kurenganywa kw'aba na bariya, Petero Claveri arabahumuriza. « Ibi bikorwa vyo kumenya ukuri ku matati afatiye ku matongo n'ayandi matungo bizokorwa mu bwitonzi budasanzwe. Tuzoba dufise imirwi kuri buri ntara yose mu ntara zigize Uburundi. Ingingo izosohoka izobanza kuba yizwe neza kuburyo hazovugwa ukuri kandi ukuri gusa ».

Avuga kandi ko umwizero wiwe wo kudahengama mu ngingo zizofatwa na CVR ko uhagaze ku ntahe z'abantu, ababanyi, abashingantahe bazoba barabonye ibintu uko vyagenze. Ati : « Ibikorwa tumaze gushikako mu kumenya ukuri ku bantu bishwe hamwe n'aho batawe mu binogo rusangi, twabishitseko kubera abantu b'intwari batugiye imbere. N'ubu rero, tuzokoresha ubuhinga bw'amatohoza nk'uko dusanzwe tubikora cane cane dufatiye ku ntahe z'ababanyi. »

Kuri we, intambamyi nyamukuru abona mw'irangurwa ry'ubwo butumwa bushasha bwahawe CVR ngo ni intambamyi y'uburyo. Ati : « Ibi bikorwa vyo kurondera ukuri kuri kahise bisaba uburyo bwinshi. Iyo ntambamyi kuri twebwe irakomeye cane ».

Tubamenyeshe ko ivyo bikorwa vyo gusigura intambuko nshasha uwo murwi uhabwa n'amategeko vyahereye muri komine Mukaza mu gisagara ca Bujumbura. Ndayicariye umukuru w'umurwi ati : « Kubona muri kino gisagara duhereye ngaha, birafise ico bisigura.

Hari impfuvyi nyinshi zanyazwe ivyazo, kandi n'uno musi baracarindiriye ico ubutungane bubakorera ».

**Mélance Ndayikeze**

# Ingene uburenganzira bwo kuronswa inyigisho butegekanijwe

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kubahirizwa co kimwe. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho mu mashure, yaba ay'intango, ayisumbuye aya kaminuza ndetse no mu mashure yigisha imyuga.

Kukaba nkako, ubumenyi bwo mw'ishure ni bwo soko ry'iterambere rirama. Nico gituma uburenganzira bwo kuronswa inyigisho butegerezwa kwubahirizwa kuri zina kiremwa muntu wese.

Tugira rero tubayagire ingene uburenganzira bwo kuronswa inyigisho butegekanijwe haba mu mategeko mpuzamakungu canke mu mategeko y'ibihugu bitandukanye bivanye n'ingene kimwe kimwe cose citunganije, aho tuja gushimikira ku mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kuronswa inyigisho**

Uburenganzira bwo kuronka inyigisho burategekanijwe, tubusanga mu masezerano mpuzamakungu atandukanye.

Aha twovuga nk'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, amasezerano ya Afrika y'agateka no kubaho neza kw'abana, ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zo gukingira abana bapfunzwe, hamwe rero n'amasezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu mu vyerekeye amatungo, imibano n'imico kama.

Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, riprategekanya mu ngingo ya 26 ko, umuntu wese akwiye kuronka inyigisho ataco atanze, cane cane inyigisho z'intango. Inyigisho zerekeye ubuhinga n'imyuga zitegerezwa gukwizwa hose, inyigisho zo mu mashure yisumbuye zitegerezwa guhabwa ababishoboye bose, ata nkunzi.

Ihangiro y'inyigisho ni uko zinakiremwa muntu ashikira iterambere nyakuri, akubahirizwa mu gateka kiwe. Zitegerezwa kandi gufasha gusasagaza umwumvikano mu makungu, mu madini, hamwe no kubungabunga amahoro kw'isi. Abavyeyi ni bo bategerezwa kwitorera indero abana bakwiye kuronka.

N'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, yarategekanije mu ngingo ya 28 ko, ibihugu vyemeje ayo masezerano, vyemeye ko umwana wese ategerezwa kuja mw'ishure kugira aronswe inyigisho, gurtyo ishirwa mu ngiro ry'agateka k'abana rigume ritera imbere ata n'umwe akumiriwe.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko, kugira ubwo burenganzira bwubahirizwe kuri bose, ibihugu birashinga ko inyigisho zo mu mashure y'intango ziba itegeko kuri bose kandi ku buntu, kandi bigatera intege inyigisho z'amashure yisumbuye, yaba ayasanzwe canke ay'imyuga, bikongera bikorohereza uwo wese ashaka kuyajamwo, bigafata n'ingingo zorohereza abana mu kutarihisha inyigisho, no gutanga imfashanyo y'amafaranga mu gihe bikenewe. Birategura inyigisho za kaminuza kuri bose mu gihe babishoboye.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 29 y'aya masezerano, inyigisho umwana aronswa zitegerezwa kwisunga intumbero zikurikira :

- kworohereza iterambere ry'umwana mu ngabirano n'ubushobozi vyiwe.

- Kwigisha umwana gusonera agateka n'ubwigenge vya zina muntu.

- Kwigisha umwana gusonera abavyeyi, akaranga kiwe, ururimi rwiwe, imigenzo n'imico kama, kubaha imigenzo y'igihugu kimuhaye indaro, igihugu c'amavukiro hamwe n'imico itandukanye n'iyiwe.

- Gutegura umwana kugira akurane umutima wo kuringaniza ivyerekeye ubuzima bwiwe mu mwidegemvyo n'umwumvikano n'abandi, mu mahoro, mu kwihanganiranira ata gukumirana, mu gukomeza ubugenzi hagati y'abantu badasangiye ubwoko, igihugu n'amadini.

- Kwigisha umwana gusonera ibidukikije.

Kugira ngo ibiharuro vy'abana biga vyisununure, amasezerano ya Afrika y'agateka no kubaho neza kw'abana avuga mu ngingo ya 11 ko, inyigisho mu mashure y'intango zotangwa ku buntu,iza kaminuza nazo zigahabwa abana bose babishoboye kandi babifitiye ubumenyi bukwiye.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano, biha ububasha abavyeyi b'abana canke abari mu kibanza c'abavyeyi, bwo kwitorera bo nyene amashure bashiramwo abana babo bivanye n'uburyo bafise. Ariko rero,ayo mashure ategerezwa kuba afise mu nteguro z'inyigisho atanga, inyigisho zituma umwana atera imbere mu bwenge, mu nyifato, mu migenzo, mu gukunda abandi hamwe no mu gukunda igihugu camwibarutse.

Agace ka 5 k'iyi ngingo ya 11 koko kavuga ko, ibihugu bishize umukono kuri ayo masezerano, biheza bikagenzura, bikaraba ko haba mu mashure canke mu mihana, abana bafatwa runtu kandi agateka kabo kubahirijwe bikwiye nkuko aya masezerano abitegeka.

Mu ntumbero yo kwirinda ikumirwa rifatiye ku gitsina mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bwo kuronswa inyigisho, aya masezerano araha uburenganzira abigeme bagize isanganya ryo gutwara imbanyi bataraheza amashure, bwo kubandanya amashure inyuma yo kwibaruka.

Ibikur. urup. 11

# Ingene uburenganzira bwo kuronswa inyigisho butegekanijwe

(Bitangurira ku rup.10)

Aya masezerano aratomora neza ko bagaruka ku gushaka kwabo mu gihe bumva bagifise ububasha bwo kubandanya kwiga, nta gahato kajamwo.Tubisanga mu gace ka 6 k'iyi ngingo ya 11.

N'abana batakiri mu mwidegemvyo kubera bakurikiranwa bari mu matati n'amategeko, barafise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho. Bitegekanijwe n'ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zo gukingira abana bapfunzwe (règles des nations unies pour la protection des mineurs privés de liberté) zitegekanya ko umwana ari mu matati n'amategeko nawe nyene, ategerezwa kuronswa nk'abandi bana, inyigisho zo mw'ishure.

Izo nyigisho zigatangirwa mu mashure yabigenewe kandi ari hanze y'ibohero, ndetse zigatangwa n'abantu babinonosoye iyo bishoboka. Izo nyigisho umwana ashobora no kuzibandanya amaze gusohoka ibohero. Amashure yakira abo bana, ategerezwa kuba afise ivyangombwa bikwiye: ibikoresho, abigisha babinonosoye, amasomero kandi afise n'ibitabo bikwiye.

Ku bijanye n'impapuro z'umutsindo zihabwa abana bari mw'ibohero, izo ngingo zitegekanya ko bibujijwe kwandikako ko uwururonse yapfunzwe kuko ntaco rwoheza ngo rumumarire, kuko mu nyigisho zose zitangwa, zitegerezwa kwisunga ubuzima bw'igihugu, zigatuma uwuzironkejwe agira ico yimariye n'ico amariye umuryango hamwe n'igihugu camwibarutse yishimikije urwo rupapuro.

Amasezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu mu vyerekeye amatungo, imibano n'imico kama nayo, yategekanije mu ngingo ya 13 ko, ibihugu vyegwa n'ayo masezerano vyemeza ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwiga amashure.

Biremeza ko inyigisho zitegerezwa kugira intumbero yo guteza imbere umwana mu buntu bwiwe hamwe no gukomeza kwubaha, gurtyo agakomeza kwubaha no kwubahiriza agateka ka zinamuntu.

Biriyemeza kandi ko inyigisho mu mashure itegerezwa gufasha u-mwana kugira ico amaze mu buzima bwiwe, igafasha mu kunywanisha abantu, mu guharanira no mu kwunga ubucuti mu gihugu no mu mirwi y'abantu badahuje amoko canke ukwemera.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ibihugu bishize umukono kuri aya masezerano vyemeza kandi ko kugira ubwo burenganzira bwubahirizwe :
- Inyigisho mu mashure shingiro zitegerezwa kuba nk'itegeko kuri bose kandi zigatangwa ku bantu bose ;

- Inyigisho mu mashure yisumbuye, hatibagiwe inyigisho z'imyuga, zitegerezwa kugwizwa kandi abantu benshi bagashobora kuzishigikira ndetse izo nyigisho zigatangwa ku buntu bivanye n'uburyo bw'igihugu ;

- Inyigisho za kaminuza zitegerezwa kuronswa bose ata kumirwa, hakurikijwe ububasha bw'umutwe w'umwe umwe, bishobotse izo nyigisho zotangwa ku buntu ;

- Inyigisho ku bantu batashoboye kuja mu mashure shingiro canke batashoboye kuyamara, zikwiye gutezwa imbere.

Ibihugu vyegwa n'aya masezerano biriyemeza kandi kwubaha uburenganzira bw'abavyeyi canke abababereye mu kibanza, bwo kwitorera amashure abana babo bigamwo naho yoba atari aya Reta, mugabo ajanye n'imigambi ya Reta mu vy'inyigisho.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kuronswa inyigisho.**

Uburenganzira bwo kuronswa inyigisho, ntibutegekanijwe mu mategeko mpuzamakungu gusa, no mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi burategekanijwe. Muri ayo mategeko n'amabwirizwa, twovuga nk'Ibwirizwa Nshingiro, hamwe igitabo c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi.

Ibwirizwa Nshingiro ritegekanya mu ngingo ya 53 ko, umwenegihugu wese afise uburenganzira bungana n'ubw'abandi, bwo guhabwa inyigisho, indero no kubaho hisunzwe imico kama, n'akaranga k'igihugu ciwe.

Inzego zijejwe igisata c'indero zitegerezwa gutunganya inyigisho mu mashure y'Igihugu, zikanorohereza abakeneye kuyajamwo.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko n'uburenganzira bwo gushinga amashure y'abigenga, bwemewe hisunzwe amabwirizwa.

Nico gituma kuva mu mwaka w'2005, Umukuru w'Igihugu yafashe ingingo yo kwigisha abana bose biga mu mashure ya Reta ku buntu.

Igitabo c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi, kirategekanya mu ngingo ya 289 ko n'abavyeyi b'umwana, bafise iteka ryo kurera ririmwo ibanga ryo kumubeshaho n'ukumuha indero n'inyigisho mu mashure bakurikije ingene bamerewe n'uburyo bafise.

Iyi ngingo isigura ko bafise uburenganzira n'ubwigenge bwo gushira umwana wabo mu mashure atunganijwe n'inzego nshingwantwaro z'Igihugu, canke atunganijwe n'abikorera ivyabo.

Mu gusozera, twomenya ko uburenganzira bwo kuronswa inyigisho ari uburenganzira bwa zinakiremwa muntu wese umuto n'uwukuze. Ubwo burenganzira burategekanijwe n'amategeko, haba ayo ku rwego mpuzamakungu hamwe n'ayo ku rwego rw'ibihugu, bivanye n'ingene kimwe kimwe cose citunganije.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera kwacu (Ibikurikira).

(Bitangurira ku rup.6

Bibiliya iyaga Imana kuko ku rupapuro urwari rwo rwose, usomye ukazirikana, urategera ko vyose vyakozwe n'I-mana, "Nkako vyose biva kuri we, kandi vyose bibeshwaho na we, kandi vyose birora kuri we. Naninahazwe mu myaka yose. Amen" (Abanyaroma 11,36).

Ayo majambo ya Paulo ni nk'incamake ya Bibiliya yose kandi ni yo ikimenyetso kiri inyuma kuri Bibiliya gisigura: Imana n'Umwana wayo Yezu Kristu ni Alfa na Omega, kuko nib o ntango n'iherezo rya vyose, nibo ibintu vyose vyamukako kandi nib o vyose bisubirako.

Muri bibiliya havugwamwo Imana y'ukuri, ikunda abantu, ikagiriranira imigenderanire nabo kandi ikiyerekana nk'uluntu gushika naho ivugwa bwa muntu agendana na bo, agumana na bo, ayaga na bo, agumana na bo. Iyo Bibiliya nyene iravuga ivyerekeye ishavu ryayo, amaso yayo, ibirenge vyayo, iminwe yayo, ukubokwo kwayo kw'ukuryo gukiza, n'ibindi.

Ni ivy'ukuri, ntivyoroshe kuyaga Imana mu mvugo y'abantu, kuko Imana irarengeye ubwenge bw'abantu, ariko Bibiliya irayiduhishurira ikoresheje imvugo ngereranyo n'ibimenyetso vy'ubwoko bwinshi, cana cane ibiboneka mu buzima bw'abantu, ariko kandi Bibiliya nyene irerekana ko Imana irengeye ivyo vyose.

Muri Bibiliya, umusomyi arababonamwo:

* Imana y'inganji kandi itegeka mu gihugu c'Amamuko, ivuga rimwe vyose bigaca bibaho,
* Imana ihingura umuntu-Adamu,

* Imana ihamagara Aburahamu,

* Imana ihishurira ibinyegezwa Yozefu,

* Imana yihishurira Musa,

* Imana izimanganya Farahoni,

* Imana iyobora igihugu c'Israyeli ikagikiza ibikigeramiye vyose,

* Imana iteye ubwoba ku musozi wa Sinayi,

* Imana nyeranda kandi ntegerwa yo mu gitabu ca Bene Levi,

*Imana itanga amategeko,

* Imana icudika na Tobiya,

* Imana y'ubutungane mu gitabu c'Umuhanuzi Amosi,

* Imana y'urukundo mu gitabu c'umuhanuzi Ozeya,

*Imana nyeranda ikaba n'umukiza mu gitabu c'-umuhanuzi Izaya,

* Imana y'ubunywanyi mu gitabu c'Umuhanuzi Yeremiya,

* Imana igereranywa n'umunega w'igihugu cayo mu gitabu c'umuhanuzi Ezekiyeli,

* Imana itangaje kandi idategereka mu gitabu ca Yobi,

* Imana ikunda ubuzima mu bitabu vy'ubwitonzi,

* Imana Data yo mu Nkuru nziza no mu makete y'umutumwa Paulo,

* Imana yamaho mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohani.

Iyo Mana ni "NDI UWO NDI », izina yahishuriye Musa. Iryo zina Musa yarikoresheje mu kubwira Abanyisrayeli ko ari We yamutumye iwabo (Ihunguka 3,14-15).

Iryo zina rirafise incamake mu rurimi rw'igihebureyi rigizwe n'indome zine: YHWH.

Abanyisrayeli bakaba batigera bavuga iryo zina kubera icubahiro bari bayifitiye. Ahobaye iryo zina hose muri Bibiliya, hashizwe ijambo "Umukama" kuko ari ryo Abahebereyi basubiriza zirya ndomze zine z'izina ry'Imana. Iruhande y'iryo zina rihambaye, aamatazirano ahabwa Imana ni menshi cana, bivanye n'uko umuntu ayibaona mu buzima bwiwe. Hariho akarorero keza tubona mw'Izaburi ya 18,2 – 4:

"Ndagushemeza mukama, Wewe bukomezi bwanje. Umukama ni we rutare rwanje, uruzitiro rw'amabuye rwanje. Ni we Mukiza wanje. Ni we Mana yanje, ni we rutare rwanje, ni we mpungirako, ni we nkinzo yanje, ni we hembe rindokora, ni we munara mpungirako. Nzokwamabaza Umukama, ni we akwiye guhayagizwa. Ni ho nzokira abansi banje".

Mu mutima w'umuntu, hama hariyo ikibazo cerekeye amamuko n'iherezo ry'ubuzima bwiwe, ari vyo twokwita ukurondera Ima ku wemera.

Muri iyo ntumbero, Bibiliya ni igitabu kirimwo ibintu vyinshi bifasha kwishura ico kibazo no kugitangira intumbero.

Umuntu yama mu maso y'Imana, ni ikiremwa c'Imana kandi yama ariko aravugana na yo mu buryo bwinshi.

Ikigabane ca mbere ca Bibiliya kitubwira ivyerekeye umuhezagiro Imana yahaye abantu ba mbere hamwe n'ivyo biteze:

"Imana irabahezagira (umugabo n'umugore yari ihejeje kurema). Imana irababwira iti: "Nimurondoke kandi mugwire, mwuzure isi kandi muteko muyiganze … (Amamuko 1,28.)

Urupapuro rwa nyuma na rwo rugatumirira Umukama Yezu kuza gusozera urugendo rw'ivyo Imana yaremye vyose: "Urakaza Mukama Yezu (Ivyahishuwe 22,20).

*Biracaza*

**Patiri Noël Ntirandekura**